# Nitrate/ Gupima nitrate iri mu mazi meza

**Igipimo c'ibitagira ubuzima (Igikoresho $N_3N_2$ canke igikoresho AN canke igeragezwa ry'igipimo kimwe**

Murakoze gupima amazi yanyu yo kunywa. Mumenye vyinshi kandi murabe neza ireresi ivuga ivyo gupima amazi yanyu munywa ku rubuga www.healthvermont.gov/water.





## 1. Kuyategura

- Shira turya dupake dukoreshwa mu gukanyisha muri frigo imbere y'igihe.
- Tegura kwegeranya amazi wateguye gupima mu gitondo c'umusi wateguye kuyapima.
- Genda ku mbizi y'amazi yo kunywa ushaka gupima.
- Icupa ushaka gupimiramwo ntukore mu gapfundikizo karyo canke ngo ukore ku munwa waryo.
- Cishamwo amazi akanye ukoresheje umurindi munini kumara iminota kuva **kur' itatu gushika kur' itanu** kugira ngo ukuremwo amazi yose yoba yari yagumye mu miringoti.
- Subira ucishemwo amazi ku **muvuduko usanzwe kugira ngo ushiremwo amazi ushaka gupima**.

## 2. Gushiramwo amazi

- Uzuza icupa ushaka gupimiramwo, gushika mw'izosi ryaryo uce uryugaza apapfundikizo neza ku buryo ridashobora kuva.
- Ca wuzuza **Urupapuro rwerekana Amakuru y'ingene wagiye urashiramwo amazi**, ushireko itariki n'igihe wayashiriyemwo.
- Bishitse ugakoresha ikintu **icari co cose kiyungurura amazi**, uce ubisigura kuri rwa rupapuro (nk'akarorero: kworosha amazi).
- Shira agapapuro kuri rya cupa wapimiyemwo ya mazi kugira ngo bihurirane neza na rwa rupapuro (nk'akarorero: John Smith, inkono yo mu gikoni).

## 3. Hindukiza

- Ya **mapaki yo gukanyisha** na rya cupa wapfunga neza ryo gupimiramwo amazi ubishire mw' icupa rya plastike canke ahantu ryugaraniwe mu gipukuru ryonyene.
- Shira rya cupa rya plastike canke ca gipukuru ryugaraniwemwo hamwe na:
  - Rwa rupapuro rwerekana ingene wagiye urashiramwo amazi yo gupima warwujuje. Twipfuza ko urwo rupapuro worushira indani mu gafuko ka plastike wagahometseko neza neza kugira ngo ntirutote.
- Kugira ngo utware rya cupa wapima mu Laboratware y'Ikigo c'Amagara y'Abantu kugira baricite mu **masaha 48**, urashobora:

- **Kubitwara muri Laboratware kuri**: 359 South Park Drive, Colchester, Vermont (kuva kuwa mbere gushika kuwa gatanu, kuva isaha imwe n'iminota 45 z'igitondo gushika isaha cumi n'igice z'umugoroba)
- **Ubitange ku biro vya District**: Raba aho babitanga n'umwanya babitangirako. Ayo mazi yo gupimwa yakirwa kuva **ku musi wa mbere gushika ku musi wa gatanu** gusa kandi amasaha meza yo gutanga ayo mazi yo gupimwa ni mu masaha yo ku murango. Amazi yawe ategerezwa gupimwa uwo musi nyene uyatanze.
- **Mw'ijoro koresha USPS**: PO Box 1125, Burlington, VT 05402-1125. **Ku musi wa gatanu canke ku wa gatandatu ntuzokoreshe e-mail mu kurungika.**

Usabwe cane.

## Ibibazo benshi bakunda kubaza

### Nomenya neza gute ko narungitse amazi yo gupimwa akwije ibisabwa?

Rimwe rimwe haraho twakira amazi yo gupimwa bisabwa ko aba "akwije ibisabwa", ibi bigasigura ko amazi batuzaniye ngo dupime ataba akwije ibisabwa vyose kugira tuyapime. Ehe ng'ibi bimwe bimwe mu bisabwa ko wokora kugira ngo uduhe amazi yemewe gupimwa:

- Utange amazi yo gupimwa wayashize mw'icupa ryatanzwe na laboratware yabigenewe.
- Ntuzane amazi yo gupimwa arimwo akamoto k'ubumara bwitwa klore (chlore) – ubwo bumara bwa klore bubaye bwinshi bwohava butera amananiza mu gupima ayo mazi.
- Urabe ko wujuje neza rwa **rupapuro rudondora amazi washizemwo yo gupimwa**.
- Ugerageze amazi yo gupimwa **ashike muri laboratware mu masaha atarenze 48** kuva igihe wayashiriye muri rya cupa ryemewe na laboratware.
- **Ukoreshe za pake zo gukanyisha hamwe na n'ico bakanyishirizamwo** kugira ngo ubushuhe bw'amazi yawe yo gupimwa bugume buri musi ya degere F 42 (degere Celsius 6) – amazi abe akanye, ariko atari urubura – kugeza ashitse muri laboratware.

### Nokwitwga ryari inyisu z'ibipimo vy'amazi yanje?

Inyishu z'ibipimo tuzozirungika nko mu misi ndwi y'akazi inyuma kuva turonse ayo mazi yo gupimwa.

### Noronka hehe amakuru ajanye n'ingaruka mu magara zivuye mu bintu bishobor kwanduza amazi yanje yo kunywa?

Kugira ngo uronke amakuru mesnhi, wongere ubone video yerekana ingene bapima amazi yo kunywa, raba ku rubuga healthvermont.gov/water.